REPUBLIQUE DU BURUNDI	REPUBURIKA Y'UBURUNDI
MINISTERE DE LA DEFENSE NATIONALE ET DES ANCIENS COMBATTANTS	UBUSHIKIRANGANJI BW'UKWIVUNA ABANSI N'UKWITAHO ABAHOZE KU RUGAMBA
CABINET DU MINISTRE	IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI
OBJET : EXPOSE DES MOTIFS SUR LE PROJET DE LOI DU STATUT DES MILITAIRES DE RANG	IMVO : INTUMBERO Y'INTEGURO Y'IBWIRIZWA RISHINGA AMATEGEKO AGENGA ABASIRIKARE BATOYI
Après la promulgation de la loi organique N°1/04 du 20 février 2017, le Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants trouve une impérieuse nécessité de réviser les Statuts des Militaires de Rang, conformément à la loi organique en vigueur.	Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rimaze gutangazwa, Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba bwasanze ari ngombwa ko hasubirwamwo amategeko agenga Abasirikare Batoyi, hisunzwe ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ririko rirakurikizwa.
Les grandes modifications qui ont été apportées au Statut des Militaires de Rang sont les suivantes :	Ibikurubikuru vyahinduwe vyashizwe mu nteguro y'iwbwirizwa rigenga Abasirikare Batoyi ni ibi ibikurikira :
1. L'actuelle loi régissant le Statut des Hommes de Troupe parle des Candidats Hommes de Troupe en formation, des Hommes de Troupe d'active et des réserves. Le présent projet parle seulement des Militaires de Rang d'active (article 1 du projet de Statut). Les Candidats Militaires de Rang en formation et les Réservistes seront régis par des textes spécifiques (cfr article 68,72& 117 de la loi Organique pour le recrutement et les réservistes).	1. Ibwirizwa rihasanzwe rigenga Abasirikare batoyi rivuga ivyerekeye Abasirikare bari mu nyigisho z'ukwitegurira kuba Abasirikare batoyi, Abasirikare batoyi bari mu kazi n'Abasirikare batari mu kazi bashobora gutumwako gufasha. Iyi nteguro y'ibwirizwa ivuga gusa ku vyerekeye Abasirikare batoyi bari mu kazi (ingingo ya 1 y'integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga Abasirikare batoyi). Abasirikare bari mu nyigisho z'ukwitegurira kuba Abasirikare batoyi n'abatari mu kazi bashobora gutumwako gufasha bagengwa n'amategeko avyerekeye (ingingo ya 68, iya 72 n'iya 117 z'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro mu

	bijanye n'ukwinjiza abantu mu gisirikare n'ibijanye n'abasirikare batari mu kazi bashobora gutumwako gufasha).
2. En vue de la professionnalisation et de la gestion de la carrière, dans ce projet de statut, les Militaires de Rang servent jusqu'à l'âge de la retraite à travers un contrat unique (cfr art 3). Le statut actuel prévoit que l'Homme de Troupe sert sous un régime à contrat multiple de durée déterminée (cfr art 3).	2. Mu ntumbero yo gutuma ivyerekeye umwuga n'akazi vy'Igisirikare bitunganywa neza, muri iyi nteguro y'ibwirizwa, Abasirikare Batoyi bakora gushika ku myaka y'ugukukuruka biciye mu masezerano agirwa rimwe gusa (ingingo ya 3). Ibwirizwa rihasanzwe ritegekanya ko Abasirikare Batoyi bakora hisunzwe amasezerano aja arasubirwamwo amara ikiringo gitomowe (ingingo ya 3).
3. Pour être admis Militaires de Rang de la Force de Défense Nationale du Burundi, il faut avoir s'engager solennellement devant le Chef de la Force ou son représentant et signé le contrat d'engagement (article 4 du projet de statut). Actuellement, la qualité d'un Homme de troupe s'étend jusqu'aux recrus candidats soldats et les Réservistes et ainsi sont régis par le statut des Hommes de troupe en activité (cfr art 5 à 7).	3. Kugira umuntu yemererwe kuba umusirikare mutoyi wo mu Rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ategerezwa kuba yariyemeje ku mugaragaro gukorera Igihugu imbere y'Umukuru w'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi canke y'uwamuserukiye kandi akaba yarashize umukono ku masezerano y'uko yinjiye mu kazi (ingingo ya 4 y'iyi nteguro y'ibwirizwa). Muri iki gihe, baba ari abasirikare batoyi n' abacinjizwa mu gisirikare hamwe n'abatari mu kazi bashobora gutumwako gufasha bakaba bagengwa n'amategeko agenga Abasirikare Batoyi bakiri mu kazi (kuva ku ngingo ya 5 gushika ku ya 7).
4. Le projet de statut accorde une allocation de décès de douze mois de salaire net pour soutenir la famille éprouvée (cfr art 12). La loi actuelle accorde quatre mois (cfr art 15&17).	4. Iyi nteguro y'ibwirizwa irategekanya guha umuryango w'Umusirikare Mutoyi yapfuye amafaranga ahabwa abafise uburenganzira ku bisigi yo gufasha umuryango wabuze angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri (ingingo ya 12). Ibwirizwa rihasanzwe ritanga umushahara w'amezi ane (ingingo ya 15 n'iya 17).
5. Le projet de statut interdit aux Militaires de Rang de s'associer au groupes terroristes, mercenaires et d'organiser ou prendre part aux activités visant à provoquer une mutinerie ou grève (cfr art 17 litera c) et e)). L'actuel statut est muet.	5. Iyi nteguro y'ibwirizwa ntirekurira Abasirikare Batoyi kwifadikanya n'imigwi y'iterabwoba hamwe n'iy'abacangero no gutunganya canke kuja mu bikorwa bifise intumbero yo gutera imigumuko canke kugira yegereyegere (ingingo ya 17 akarongo ka c) n'aka e)). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.

6. Pour renforcer l'éthique militaire et la discipline, professionnaliser la gestion des carrières et renforcer l'esprit patriotique, le projet de statut n'autorise pas le mariage inter-catégorie, le mariage avec une personne de nationalité étrangère et le mariage avant trois ans de prestation dans une unité (art 17 litera i), j) et k)). L'actuel statut est muet en la matière.	6. Mu gukomeza akarangamutima mu bijanye n'igisirikare n'inyifato mu kazi, mu gutuma akazi k'igisirikare gatunganywa nk'umwuga hamwe no gutsimbataza ingendo y'ugukunda igihugu, iyi nteguro y'ibwirizwa ntirekurira Umusirikare mutoyi kugira ubugeni n'umusirikare wo mu rwego rw'ukwivuna abansi canke n'uwuri mu rwego rujejwe umutekano, kugira ubugeni n'umuntu afise ubwenegihugu bwo mu mahanga no kugira ubugeni ataramara imyaka itatu y'akazi mu mugwi arimwo (ingingo ya 17 akarongo ka i), aka j) n'aka k)).Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
7. En plus des indemnités prévues par le Statut actuel (Cfr Art 42), le projet de Statut prévoit que le Militaire de rang pourra aussi bénéficier une indemnité de réforme (Cfr art 32 litera f)).	7. Uretse uturusho dutegekanijwe n'ibwirizwa rihari (ingingo ya 42), iyi nteguro y'ibwirizwa rishasha irategekanya akarusho gahabwa uwukukurutse kubera atagishoboye akazi (Ingingo ya 32 akarongo ka f)).
8. Le projet de statut parle de la profession (cfr chap VII) alors que l'actuel statut parle de l'interruption et de la fin du contrat (cfrChap VIII). La profession du Militaire de Rang commence le jour de son incorporation définitive (cfr art 33 du projet de statut) tandis que la carrière commence le jour du recrutement (art 82 de la loi organique).	8. Iyi nteguro y'ibwirizwa ivuga ivyerekeye umwuga (igice ca VII) mu gihe Ibwirizwa rihasanzwe rivuga ivyerekeye uguhagarika n'ukurangiza amasezerano (igice ca VIII). Umwuga w'Umusirikare Mutoyi utangura umusi yemejwe ko yinjiye burundu mu Rwego rw'ukwivuna abansi (ingingo ya 33 y'iyi nteguro y'ibwirizwa) mu gihe akazi gatangura umusi yinjiriyeko mu gisirikare (ingingo ya 82 y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro).
9. Le projet de statut donne droit au Militaire de Rang de demander la retraite anticipée une fois atteint quinze ans de service (cfr art 35). Le statut actuel est muet en la matière.	9. Iyi nteguro y'ibwirizwa iha uburenganzira Umusirikare mutoyi bwo gusaba gukukuruka atarashikana imyaka itegekanijwe igihe amaze gukwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi (ingingo ya 35). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
10. En vue d'avoir des Militaires de Rang disciplinés dignes de leur rang, un Militaire de Rang qui totalise 60 Jrs cachots (Ca) dans une année ou 150 Jrs Ca dans sa profession doit comparaitre devant le conseil de discipline pour renvoi (cfr Art 42	10. Mu ntumbero y'ukuronka Abasirikare Batoyi bigenza neza, batera iteka Urwego barimwo, Umusirikare Mutoyi akwije imisi 60 y'agasho mu mwaka canke imisi 150 y'agasho mu kiringo cose amara mu kazi ategerezwa kurenguka imbere y'Umugwi ujejewe inyifato

du projet de statut). L'actuel statut est muet.	mu kazi kugira yirukanwe (ingingo ya 42 y'iyi nteguro y'ibwirizwa). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
11. En vue de soutenir un membre de la force de Défense Nationale du Burundi poursuivi par la justice pour des faits découlant de l'exercice normale de ses fonctions, le projet accorde au Militaire de Rang le droit d'avoir une assistance juridique et judiciaire (Cfr art 44 paragraphe 1) .	11. Mu ntumbero yo gushigikira umusirikare mutoyi ariko arakurikiranwa n'ubutungane canke mu gihe akorewe icaha ariko ararangura imirimo ashinzwe arafise uburenganzira bw'ugufashwa mu vyerekeye amategeko n'ukuronswa uwumuburanira (ingingo ya 50 y'iyi nteguro y'ibwirizwa agahimba ka 1).
Le projet de statut accorde également une réparation des dommages causés par les tiers pour le seul motif que le Militaire de Rang est membre de la Force de Défense Nationale du Burundi (cfr art 44 paragraphe 2).	Muri iyo ntumbero nyene, Reta iraha indishi umusirikare mutoyi ku vyo yononewe n'abandi ahorwa gusa ko ari umusirikare w'igihugu canke igihe ariko ararangura imirimo ashinzwe, mu gihe uwakoze icaha atamenyekanye (ingingo ya 44 y'iyi nteguro y'ibwirizwa agahimba ka 2).
12. Le projet de statut accorde l'allocation de fin de carrière aux Militaires de Rang qui partent en retraite anticipée et par limite d'âge statutaire (cfr art 46). Le statut actuel accorde aussi cette allocation aux décédés étant en activité, aux réformés par inaptitude et au non renouvellement du contrat (cfr art 44).	12. Iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya guha abasirikare batoyi amafaranga *y'*impamba y'uko akazi gaheze mu gihe bakukurutse batarashikana imyaka itegekanijwe n'abakukurutse kubera bakwije imyaka y'ugukukuruka (ingingo ya 46). Ibwirizwa rihasanzwe na ryo nyene rirayategekanya ku bapfuye bari mu kazi, abasezerewe kubera batagishoboye akazi no ku bo amasezerano y'akazi atongererejwe ikiringo (ingingo ya 44).
13. Pour renforcer l'esprit patriotique, le projet de statut prévoit le renvoi du Militaire de Rang qui acquiert la double nationalité (cfr art 48 litera b)). Le statut actuel est muet.	13. Kugira hatsimbatazwe umutima wo gukunda igihugu, iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya kwirukana mu kazi Umusirikare Mutoyi aronse ubwenegihugu bugira kabiri (ingingo ya 48 akarongo b)) .Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
14. En vue de garantir la survie des ayants droits dont le Militaire de Rang est décédé avant d'atteindre quinze ans de service, projet de statut dispose que l'Etat verse le reste des cotisations pour pouvoir bénéficier la rente des survivants (cfr art 52).	14. Muntumbero yo gushigikira abasirwa b'umusirikare mutoyi apfuye atarakwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi, Reta iratanga mw'Ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi intererano zari zisigaye (ingingo ya 52).